# Kugenyera igitsinagore

## Female Genital Cutting

Kirundi/Ikirundi

Parenting SA

**Ukugenyera igitsinagore ni ukurenga itegeko mu mareta yose n'intara zigize Australia. Kandi biranyuranye n'itegeko gutwara umkobwa mu kindi gihugu kugira ngo bamukebere ku gitsina. Ukugenyera igitsina vyonona amagara hamwe n'imibereho myiza y'abakobwa n'abagore.**

## Ukugenyera igitsinagore ni ukuvuga iki?

Ukugenyera igitsinagore ni ugukeba canke gukuraho igice kimwe canke igihimba cose co hanze y'igihimba c'irondoka ata gituma na kimwe mu bijanye n'ubuvuzi. Rimwe na rimwe bavyita ugusiramura igitsinagore canke ugukeba igitsina gore.

Ukugenyera igitsina gore bigirwa nk'igice c'imigenzo n'imyemerere ya kera. Ibihugu vyinshi kw'isi biriko bifata uwo mugenzo nk'uwutajanye n'amategeko.

Ukugenyera gitsinagore nta nyungu n'imwe bizanira umukobwa canke umugore ku bijanye n'amagara yabo.

## Ni gute igenyerwa ry'igitsinagore rigira ingaruka mbi ku magara?

Ubwoko bwose bwo gukebera buronona canke bugakuraho udutsi tw'ubuzima kandi bishobora kubabaza mu kiringo gito canke mu buzima bwiwe bwose. Muri ivyo hashobora kuba harimwo:

> ukubabara, ukuva amaraso, ukwandura
> ukubabara iyo ariko arasoba
> ingorane zijanye n'iyo ari mu mu butinyanka
> kubabara mu bihe ari mu butinyanka n'igihe ariko arakora imibonano mpuzabitsina
> arashobora kugira ingorane zo kuvyara
> arashobora kugira ingorane igihe ariko aravyara
> kubabara mu mutima no mu bwenge canke guhahamuka.

**Abavyeyi b'abakobwa bashobora kwumva baremerewe n'umuryango canke ikibano ngo basiramure umukobwa n'igihe baba bamaze gushika muri Australia. Iyo ivyo bibaye, mwibuke yuko itegeko rya Australia riza ubwambere. Ukugenyera igitsinagore ni icaha gikomeye kandi igihanishwa ibihano bikomeye.**

## Gufashwa

Rondera imfashanyo ako kanya nyene wumvise umuntu uzi ari mukaga ko kugenyerwa canke agomba kujanwa mu kindi gihugu kugira ngo akebwe. Ushobora:

> kuvugana n'ishirahamwe. Babigira ibanga. Urashobora gusaba umusiguzi w'umukenyezi
> kwakura Polisi. Urashobora kuvugana n'umupolisi w'umugore
> akura ku murongo wo gutabariza abana.

Nimba warakebwe canke utazi neza ko wakebwe, urashobora kuvugana n'umuganga wawe, ishirahamwe ryitaho amagara y'abagore canke uwukora mu vy'amagara ku verekeranye:

> ibibazo vyose vyo ku mubiri, ku mutima canke ibindi bibazo
> ukugene wovurwa
> gusama inda canke gutegura gusama
> gusuzumwa.

Tabaza ako kanya nyene iyo wumvise umukobwa ahigirwa canke agomba kugenyerwa. Hariho ibigo amashirahamwe ashobora gufasha.

## Amashirahamwe

### Nimba ufise umutima uhagaze kubera umutekano w'umuntu

**Polisi (Police)**
000 nimba umuntu ari mubibazo muri uwo mwanya nyene
13 14 44 nimba hari ingorane ariko atari iy'ako kanya

**Umurongo uhamagarako utabariza umwana (Child Abuse Report Line)**
13 14 78 umwanya uwo ari wo wose haba ku murango canke mw'ijoro
Nimba umukobwa uzi yoba ari mubibazo
www.childprotection.sa.gov.au/reporting-child-abuse

**Umurongo wo kwitabaza iyo hari intambara mu nzu (Domestic Violence Crisis Line)**
1800 800 098 umwanya uwo ari wo wose haba ku murango canke mw'ijoro
Bifasha iyo habaye intambara, guhabwa indaro yihutirwa hamwe n'ukurungikwa ahandi http://womenssafetyservices.com.au

**Umurwi ufasha mu vy'amategeko SA (Legal Services Commission of SA)**
Ronderera impanuro kuri 1300 366 424, isaha 3 zo mu gitondo gushika isaha 10.30 ku muhingamo, kuva kuwambere gushika kuwa gatanu
Impanuro zihuta kandi ku buntu mu bijanye n'amategeko www.lsc.sa.gov.au

**Ibikorwa vyo gusobanura indimi (Translating and Interpreting Service (TIS National))**
13 14 50 umwanya uwo ari wo wose haba ku murango canke mw'ijoro ku basobanuzi bo kuri terefone www.tisnational.gov.au

### Nimba ukeneye kwitabwaho mu vy'amagara, imfashanyo, inkuru canke impanuro

**Ishirahamwe ryitaho amagara y'impunzi (Refugee Health Service)**
8237 3900 canke 1800 635 566 (abahamagara bari kure y'igisagara) isaha 3 zo mu gitondo gushika isaha 11 ku mugoroba, kuva kuwambere gushika kuwa gatanu
21 Market Street, Adelaide
Ibikorwa bijanye n'amagara y'impunzi zishitse vuba hamwe n'abarondera ubuhungiro

**SHINE SA**
Umurongo ku bijanye n'amagara y'igitsina
1300 883 793 canke 1800 188 171 (abahamagara bari kure y'igisagara) isaha 3 zo mu gitondo gushika isaha 6:30 zo ku mutaga, kuva kuwambere gushika kuwa gatanu ku mpanuro zo mw'ibanga
Inkuru mu ndimi zitari nke www.shinesa.org.au

**Ibikorwa bijanye n'amagara y'abakenyezi (Women's Health Service)**
8444 0700, isaha 3 zo mu gitondo gushika isaha 11 ku mugoroba, kuva kuwambere gushika kuwa gatanu
47 Dale Street, Port Adelaide (hamwe no muri Elizabeth na Hillcrest)
Ugusuzuma amagara y'abakenyezi mwibanga kandi ku buntu www.whs.sa.gov.au

**Ubuyobozi bw'imigenderanire n'amakungu hamwe n'urudandazwa (Department of Foreign Affairs and Trade)**
1300 555 135 umwanya uwo ari wo wose haba ku murango canke mw'ijoro nimba wewe uri muri Australia kandi ukaba ukeneye imfashanyo
+61 2 6261 3305, SMS +61 421 269 080 nimba uri hanze y'igihugu http://dfat.gov.au

**Ikigo mpuzamico c'amagara y'abakenyezi (Multicultural Centre for Women's Health)**
Ibikoresho mfashanyigisho ku rwego rw'igihugu bikangurira abakenyezi ivyerekeye igenyerwa n'ikebwa ry'igice c'igihimba c'irondoka ku gitsinagore (NETFA)
www.netfa.com.au

Aka gatabo koroshe kayobora abavyeyi ni kamwe mw' 9 twateguwe na Parenting SA ku miryango mishasha yo mu bibano bitandukanye icinjira muri Australia y'efyo. Twashaka gushimira amashirahamwe menshi n'imiryango yaterereye ubuhinga n'ubumenyi bwabo mu gutegura utu dutabo, cane cane imiryango hamwe n'abakozi amafoto yabo aboneka muri two.
Parenting SA ifashanya n'Ubuyobozi bw'Indero hamwe n'urunani rwitaho amagara y'abakenyezi n'abana.
**Iterefone (08) 8303 1660**
**www.parenting.sa.gov.au**
**Udutabo tworoshe tuyobora abavyeyi tuboneka kuri gusa muri Australia yefyo**
**Icitonderwa:** Inkuru zirimwo ntizitwara ikibanza c'impanuro woshobora kuronka kuva kubantu babinonosoye.
© Reta ya Australia Yepfo igice c'ambere 01/2019.

Government of South Australia